# 324: Nzoririmb' ivy' Umukiza wanje

1. Nzoririmb' ivy' Umukiza wanje
N'urukundo rwiwe yankunze
Yambabarijwe ku musaraba
Ngo nkir' igihano c' urupfu.

Ref: Nzama ndirimb' Umukiza wanje
Yanguz' amoroso ku giti,
Nari n' umwend'ukomeye cane
Maz' arawunyishurira.

2. Nzokwama mvug' ivy' igitangaza
Yes' Umukiza yankoreye,
Umutima wiwe w' ikigongwe
Watumy' ampfir' amber' incungu.

3. Nzohora ntazii' uwo Mukiza,
Nzoririmb' ububasha bgiwe,
Kukw anneshereza mûri vyose,
Sinkiganzwa n' icaha na mba.

4. Nzoririmb' Umucunguzi wanje,
N'urukundo rw' igitangaza:
Yankijij' urubanza rwo gupfa,
Maz' akangir' umwana wiwe.

Visit us at burundi.indirimbo.com